Amasezerano y'Isi

INTANGAMARARA

Tugeze mu gihe kidasanzwe muri kahise k'Isi, igihe ababa kw'Isi dutegerezwa gufata ingingo zerekeye kazoza kayo. Nkuko isigaye ihuha, itacikwije kandi ukubaho kwayo kuva ku bintu bitandukanye, kazoza karateye amakenga ariko karanatanga ivyizigiro. Kugirango dutere tuja imbere, dutegerezwa kumenya kandi tukemera ko hagati y'imibereho n'akaranga bitandukanye ku baba mu mihingo yose y'Isi, tugize ubwoko bumwe bwa kiremwa muntu kandi tugize umuryango uwe kw'Isi, usangiye kazoza kamwe. Dutegerezwa gusenyera ku mugozi umwe kugira ngo dushinge umuryango w'amahanga urama, ushingiye ku kwubaha ibidukikije, agateka ka zina muntu, ubutungane kuri bose hamwe n'umuco w'amahoro. Muri iyo ntumbero, birakwiye ko, twebwe Abanyagihugu bo kw'Isi, dutangaza uruhara rwacu kuri bamwe n'abandi mu kwubaka umuryango w'ubuzima dusangiye no ku ruvyaro rwacu.

Isi niryo cumbi ryacu

Abantu bo kw'Isi bari mu bigize Isi iguma ihindagurika. Isi, ryo cumbi ryacu, yo nyene ni ikiremwa gihaye uburaro umuryango udasanzwe w' ibiremwa, arivyo twebwe abantu. Inguvu z'ibidukikije zituma ukubaho kwacu kuba urugendo rugoye kandi tutazi iherezo, mugabo Isi yaraturonkekeje vyankenerwa vyatumye ubuzima bushoboka, bukanagira insiguro. Ubushobozi bwo kubungabunga ubuzima rusangi n'ukubaho neza kwa kiremwa muntu biva ku kubungabunga ibidukikije, na canecane kwamiza ku muzirikanyi gukeneranira kw'ibinyabuzima, ibiterwa hamwe n'inyamaswa, Isi ndimwa, impwemu n'amazi bitanduye. Ibidukikije biri kw'Isi, naburya bitera bigabanuka, ni umwitwarariko rusangi ku baba kw'Isi bose. Gukingira ubuzima bw'Isi, ubwinshi bw'ibiyibako hamwe n'ubwiza bwayo ni uruhara ntangere.

Uko vyifashe muri rusangi

Muri ibi bihe turimwo, uburyo ibintu bihingurwa n'ingene bikoreshwa, biratitura Isi ku buryo budasanzwe, bikanatuma ibinyabuzima bitari bike bigabanuka cane canke bikanashira. Imibano rusangi yegereye abanyagihugu iracumbagira. Inyungu z'iterambere ntizisangiwe na bose ku buryo buzira ubugunge, kandi ubusumbasumbane hagati y'abakire n'abakene butera bwiyongera. Akarenganyo, ubukene, ukutamenya hamwe n'indwano bikwiye Isi yose bigatera amarushwa n'ububabare ntangere. Irwirirana ridasanzwe ry'abantu ryateye uburemere Isi, rinatitura imibano. Ishingiro ry'umutekano w'Isi rirageramiwe. Ivyo bintu birateye ubwoba ariko si akadashoboka.

Ivyifato yerekeye Kazoza

Dutegerezwa guhitamwo: kwunga imigenderanire no gufashanya ku gwego rw'Isi kugira ngo tubungabunge Isi n'abacu canke twempi dusiganwe kwisamburirako no gutosekaza ubuzima bw'abantu n'ibidukikije. Ihinduka rihambaye mu mico n'imigenzo, inzego hamwe n'imibereho yacu bifise uruhara ntangere. Dutegerezwa kwemera yuko tumaze kuronka ibitubeshaho, ubuzima bwa kiremwa muntu ntibuba bukibaye ikibazo co kuronka vyinshi ariko kubaho neza. Turafise ubumenyi n'ubuhinga bihagije kugirango umwe wese aronke ibimutoheje kandi tugabanye ingaruka mbi ku bidukikije. Ikura n'ikomera vy'urunani rw'amashirahamwe abadaharanira ubutegetsi kw'Isi bitanga akaryo ko kwubaka Isi

ishingiye ku ntwaro rusangi kandi ishira imbere kiremwa muntu. Ibibazo vyerekeye ibidukikije, ubutunzi, ubutegetsi, imibano n'ukwemera;vyose birafitaniye isano kandi twese turashobora gutora inyishu rusangi.

Uruhara rusangi rw'ababa kw'Isi

Kugira ngo dushike ku vyifuzo vyacu dutegerezwa guhitamwo kwisunga ingingo ngenderwako yuko ababa kw'Isi bose dufise uruhara rusangi ugereranije n'umuryango w'Isi yose canke mu mibano umwe wese aho aherereye. Turi abenegehugu b'amakungu atandukanye kandi tukanahurikira kw'Isi imwe aho ibiba mu mibano n'ibiba kw'Isi nzima ari magiriranire. Twese dusangiye uruhara rwo kubungabunga ukubaho neza kw'umuryango rusangi wa kiremwa muntu n'ibindi binyabuzima, haba ubu canke muri kazoza. Umutima wo gusenyera ku mugozi umwe hagati y'abantu n'ubuvukanyi hagati yacu n'ibindi binyabuzima bikomezwa n'ikinyegezwa c'iremwa, kwemera ko ubuzima ari ingabire hamwe no kwicisha bugufi uravye ikibanza dufise ka kiremwa muntu hambavu y'ibindi biremwa bidukikije.

Turemera ko vyihuta cane kubona kumwe amateka azoba ishingiro ry'ingingo ngenderwako z'inyifato izira agatosi ku muryango w'Isi yose uriko uravuka. Kubera ivyo, mu mutima w'ugusenyera ku mugozi umwe, turemeje ingingo ngenderwako zikurikira, zerekeye uburyo bwo kubaho burama, zikabera itegeko ababa kwu'Isi yose, ari nazo zigiye kwisungwa kandi zigakoreshwa mu gusuzuma inyifato y'abantu, amashirahamwe, amahinguriro n'amashirahamwe y'ubudandaji, ama reta hamwe n'amashirahamwe mpuza makungu.

INGINGO NGENDERWAKO

I .KWUBAHA NO GUKINGIRA UBUZIMA

1. **Kwubaha Isi n'ubuzima rusangi.**

    a. Kwemera isano riri hagati y'ibinyabuzima hamwe n'agaciro k'ubuzima bwa kimwe cose n'akamaro akariko kose bifitiye umuntu.
    b. Kwemera agateka k'umuntu uwo ari we wese kandi kumenya ko umwe wese afise ubwenge, ubuhinga, imico n'ukwemera.

2. **Gutahura, gushira mu gaciro no kubungabunga ubuzima rusangi mu rukundo n'ukubabarana.**

    a. Kwemera ko uburenganziza bwo gutunga, gutunganya no gukoresha amatungo cimeza bidusaba kurinda ivyotitura ibidukikije hamwe no gukingira agateka ka zina muntu.
    b. Kwemera ko iterambere mu mwidegemvyo, ubumenyi hamwe n'ubushobozi bidutuma dutegerezwa guteza imbere ineza rusangi.

3. **Kwubaka imiryango ishingiye ku ntwaro rusangi, izira akarenganyo, iha uruhara umunyagihugu wese, ishira imbere iterambere rirama n'amahoro.**

a. Kwitwararika ko imiryango yose, ku ngero zose z'intwaro, zubahiriza agateka ka zina muntu n'umwidegemvyo nshingiro kandi biha uwo ariwe wese akaryo ko kwiteza imbere no gushirwa mu gaciro.
b. Guteza imbere ubutungane kuri bose, haba mu mibano no mu butunzi umwe wese akaronka vyankenerwa kugingo abeho mu buryo bubereye abantu kandi budatosekaza ibidukikije.

4. **Kubungabunga ubutunzi n'ubwiza vy'Isi ku bwacu no ku ruvyaro rwacu.**

a. Kwemera ko ukwidegemvya mu bikorwa vy'abantu bifitaniye isano n'ivyankenerwa vy'uruvyaro rwacu.
b. Kuraga uruvyaro rwacu amateka, imico n'imigirwa bituma haba iterambere rirama haba ku bantu canke ku bindi binyabuzima vyo kw'Isi.

Kugira ngo dushike kuri aya masezerano ane twavuze, birakenewe ko dushinga ingingo ngenderwako zikurikira :

II. UBWUZURE BW'IBIDUKIKIJE

5. Gukingira no kugarukira ubwuzure bw'ibidukikije kw'Isi, na cane cane ibihema hamwe n'ihindagurika kama rituma ibidukikije bigumana ubuzima.

a. Gushinga, ku nzego zose, imigambi hamwe n'amategeko yerekeye iterambere rirama ku buryo yose yisunga gukingira ibidukikije hamwe no kubisanura.
b. Gushinga no kubungabunga amashamba cimeza hamwe n'ibiyaga kugirango dukingire inkingi z'ubuzima kw'Isi, tubungabunge ibinyabuzima kandi tubungabunge ingabanwa y'umurage kame dusangiye.
c. Kunagura ibidukikije, na cane cane ibinyabuzima biri ku mushiro.
d. Kugabanya no kurandurana n'imizi ibitegwa n'ibikoko vyakozwe n'amahinguriro canke ibinyabuzima vy'akaranda bihonya ibitegwa n'inyamaswa kama bigatosekaza ibidukikije kandi tukarwanya umuzo w'ibinyabuzima bihonya ibindi.
e. Gutunganya ikoreshwa ry'amazi, isi, ibiva mu mashamba hamwe n'ibinyabuzima vyo mu biyaga n'inzuzi ku buryo bishobora gusubira gukoreshwa kandi bigakingira ubuzima bw'ibidukikije.
Gutunganya icukurwa n'ikoreshwa ry'ubutare n'ibicanwa biva mu kuzimu ku buryo bwiza butuma bidashira kandi ntibititure ibidukikije.

6. **Kubuza ibitosekaza ibidukikije kugirango tubikingire kandi gukoresha ingingo ngendegwako yo kwibanga na cane cane aho ubuhinga budahagije.**

a. Gufata ingingo zo gukinga ico cose cotosekaza ibidukikije ku buryo ntasubirwamwo naho amakuru duhabwa n'ubushakashatsi yoba adahagije canke ngo abe ari ayanyuma.

b.Kugereka umuzigo wo gutanga ivyemezo ku bavuga ko imigambi yabo ata ngaruka ishobora gutera ibidukikije, kandi uwukora iyo migambi akaba ariwe ariha ivyo yononye.

c.Kwitwararika ko ifatwa ry'ingingo rishingira ku ngaruka zose zitegwa n'ibikorwa vy'abantu, haba iziboneka n'izitaboneka, iz'ubu n'izo muri kazoza, aho tuba canke ku rwego mpuzamakungu mbere no kw'isi yose.

d.Kubuza ibitosekaza ibidukikije na cane cane ubumara buva mu mahinguriro canke ubundi bumara nk'ubwo.

e .Kubuza ibikorwa vya gisirikare bitosekaza ibidukikije

7. **Gutunganya uburyo bwo kugwiza no gukoresha vyisunga ukwiyubura kw'Isi, agateka ka zina muntu n'ukubaho neza.**

   a. Kugabanya, gusubira gukoresha no gusubira guhingura ibisigazwa vy'ivyuma n'ibindi vyakoreshejwe mu kwimbura canke mw'ikoreshwa risanzwe kandi kwibanga yuko imicafu itegerezwa guhura n'ibisabwa mu gukingira ibidukikije.
   b. Gukoresha bibayabaye amasoko ntanganguvu, na cane cane kwujukira ayashobora gukoreshwa kenshi, nk'imishwarara y'izuba canke umuyaga.
   c. Guharanira iterambere, gucagura no gusabikanya ubuhinga budatosekaza ibidukikije.
   d. Igihe cose dukoresha amaboko canke ubwenge, gushira mu biciro ivyerekeye ibidukikije kandi kuronsa abaguzi akaryo ko guhitamwo ibidandazwa bihuye n'imibereho hamwe n'ibidukikije.
   e. Gutuma abantu bose bashobora kwivuza ku buryo butuma haba irondoka rijanye n'amagara meza hamwe no kuvyara ku rugero.
   f. Gutunganya imibereho ishira hejuru agaciro k'ubuzima hamwe no kwirinda gusesagura kuko turi mw'Isi ifise uburyo buharuye.

8. **Guteza imbere ivyigwa bijanye n'ibidukikije hamwe no guteza imbere gusabikanya no gukoresha ubumenyi twaronse ku buryo bushikira benshi cane.**

   a. Gushigikira ugusabikanya ubumenyi n'ubuhinga mpuzamakungu ku vyerekeye iterambere rirama, na canecane gushira mu gaciro vyankenerwa mu bihugu biri munzira y'amajambere.
   b. Kumenya, kwemera no gukingira ubumenyi kavukire hamwe n'ubwenge dusanga mu mico itandukanye, mu gihe bishigikira gukingira ibidukikije hamwe n'ukubaho neza.
   c. Kwemera no kwamiza ku muzirikanyi ko amakuru yose afise agaciro gahambaye ku buzima bw'abantu hamwe no gukingira ibidukikije harimwo n'amakuru ajanye na karonda k'abantu bishobora kumenywa n'uwuvyifuza uwo ariwe wese.

III .UBUTUNGANE KURI BOSE, HABA MU MIBANO CANKE MU BUTUNZI

9. **Kurandurana n'imizi ubukene, tukabifata nk'itegeko rijanye n'inyifato n'ingiro, imibereho hamwe n'ibidukikije.**

   a. Gutuma abantu bose baronka amazi atyoroye, umwuka utanduye, ibifungurwa kuri bose, isi ndimwa itanduye, inzu hamwe n'utuzu twa sugumwe bikenewe na cane cane guha uburyo bukwiye ibikorwa nk'ivyo, haba ku rwego rw'igihugu canke ku rugero mpuzamakungu.
   b. Kuronsa umuntu wese akaryo ko kwiga hamwe no kuronka ivyankenerwa bimutuma agira ubuzima burama, kandi kuronsa umwe wese uburyo bwo kwivuza no kumukingira impanuka na cane cane gufata ingingo zo gukingira uwo wese adashobora kwironsa vyankenerwa.
   c. Kwibuka abibagiwe, gukingira batobato hamwe n'abababaye no kubaha akaryo ko guteza imbere ubushobozi bwabo kugirango bagwanire gushika kuvyo bifuza.

10. **Kwamiza ku muzirikanyi ko ibikorwa, hamwe n'inzego z'ubutunzi kuva hasi gushika hejuru, zotuma iterambere runtu kuburyo butunganye kandi burama.**

a. Guteza imbere isabikanya ry'ubutunzi bw'igihugu kuri bose no hagati y'ibihugu
b. Kugwiza incabwenge n'uburyo bugenewe guteza imbere ubuhinga n'imibano mu bihugu biri munzira y'amajambere.
c. Kwamiza ku muzirikanyi yuko amahinguriro yisunga iterambere rirama, gukingira ibidukikije hamwe n'amategeko yerekeye akazi.
d. Gutegeka amashirahamwe mpuzamakungu ahingura canke akadandaza hamwe n'amashirahamwe yo kudandaza no kuguranana ko akora ku mugaragaro ku nyungu y'abanyagihugu kandi akarihishwa ivyo yononye.

11. Kwemeza kunganisha ibitsina ko biba ishingiro ry'iterambere rirama kandi kuronsa abantu bose akaryo ko kwiga, kuvugwa no kuronka ibibabeshaho.

a. Kwubahiriza agateka k'abakenyezi n'abigeme kandi guhagarika amabi abakorerwa.
b. Guha ikibanza n'ijambo bibereye abakenyezi muvyerekeye intwaro, ubutunzi, imibano n'imico haba mubafata ingingo, abarongozi canke abagenewe imigambi.
c. Gutsimbataza ubuzima mu muryango ku buryo umwe wese agira umutekano, urukundo kandi akaronka ibimubeshaho.

12. Guharanira agateka ka zina muntu, atawukumiwe, ko kugira ibimukikije bityoroye, imibano runtu, amagara meza hamwe no kwemera; ivyo vyose bikaba hatibagiwe agateka k'abasangwabutaka hamwe n'inkehwa.

a. Kurandurana n'imizi ikumirana, na cane cane irifatiye ku rukoba, amamuko, igitsina, idini, ururimi, inyifato ijanye n'igitsina, ubwoko canke imibano.
b. Kwemera agateka k'abasangwabutaka muvyerekeye ukwemera kwabo, ubumenyi n'ubuhinga bwabo, ingene batunganya isi n'ibiyivako hamwe no kubaho kama bisangije kuburyo burama.
c. Guha agaciro no gushigikira urwaruka mu kuruha akaryo ko kugira uruhara mw'iterambere rirama.
d. Gukingira no gusanura ibibanza bihambaye mu vyerekeye kuranga akaranga no kwemera.

IV. INTWARO RUSANGI, KUDAKORESHA IGIKENYE N'AMAHORO

13. Gukomeza inzego z'intwaro rusangi ku nzego zose z'igihugu hamwe no guteza imbere intwaro ibereye yubaha ingingo ngenderwako zo gukorera ku mugaragaro no guha ikibanza uwo ariwe wese mu gufata ingingo hamwe no gutunganirizwa.

a. Guha akaryo uwo ariwe wese ko kuronka inkuru y'imvaho yerekeye ibimukikije hamwe n'imigambi imwerekeye canke ishobora kugira ingaruka ku bidukikije.
b. Gushigikira amashirahamwe adaharanira ubutegetsi, haba ku rwego rw'igihugu, mu karere canke kw'Isi yose no guha uruhara rugaragara abantu bose hamwe n'ayo mashirahamwe mw'ifatwa ry'ingingo.
c. Gukingira umwidegemvyo mu vyiyumviro, agateka ko gushikiriza ico umuntu agona, kugira amanama, kuja mu mashirahamwe hamwe no kwiyamiriza ubutegetsi bubi.
d. Gushinga uburyo budatamije ariko buhagije bwo gutunganirizwa haba mu vyerekeye intwaro canke biciye mu ma sentare yigenga, tudasize inyuma

kuronswa inshumbusho hamwe no gusanurirwa ivyononywe bivuye gutosekaza ibidukikije hamwe no gukinga ko ibisa n'ivyo vyosubira gushika.

e. Kurandurana n'imizi igiturire haba munzego za reta canke mubikorera utwabo.
f. Gutsimbataza imibano rusangi mukuyironsa uburyo bukenewe bwo gukingira ibidukikije hamwe no gushinga ico gikorwa inzego zijejwe intwaro zishoboye kukirangura.

14. Gushira mu rutonde rw'ivyigwa mu mashure canke mu nyigisho nkarishabwenge, ubumenyi n'ubushobozi buroranye n'iterambere rirama.

a. Gutuma abantu bose, na cane cane abana n'urwaruka baronka inyigisho n'indero bibaha akaryo ko kugira ico batereye mw'iterambere rirama.
b. Guha ikibanza ubugenegene, ivyigwa vyerekeye ukubaho kw'abantu hamwe n'ivyigwa vyerekeye ubuhinga ku buryo vyerekeza kw'iterambere rirama.
c. Gutsimbataza uruhara rw'ibinyamakuru mu guhimiriza ivyerekeye ibidukikije n'imibano.
d. Kwemera akamaro k'indero runtu no kwemera Imana ko bifise akamaro mw'iterambere rirama.

15. Kwubaha ibinyabuzima vyose hamwe no kubishira mu gaciro.

a. Kubuza kwica bunyamaswa ibitungwa no kubirinda ububabare.
b. Gukingira inyamaswa zo mw'ishamba ko zihohoterwa biciye mu ruhigi canke uburovyi buzitera ububabare burengeje kandi budakenewe.
c. Kwirinda no kurandurana n'imizi ku buryo bwose bushoboka, gufata canke guhonya inyamaswa ziterekewe n'uruhigi.

16. Guteza imbere umuco wo gutahurana, ukudakoresha igikenye hamwe n'amahoro.

a. Guhimiriza no gushigikira umwumvikano, ugufatana munda no gufashanya kw'abanyangihugu b'Isi yose no mu bihugu vyabo.
b. Gushinga ubuhinga bubereye bwo gukinga amatati ashikana ku ndwano hamwe no gukoresha uburyo bwo gutatura amatati bushingiye ku gufashanya mu gutatura amatati yerekeye ibidukikije hamwe n'ayandi matati y'ubundi bwoko.
c. Kugabanya uburyo bwerekeye umutekano, ku buryo budashingira ku gisirikare cama kigavye ngo gitere indwano, izo nzego zigasigara ari izo kwivuna umwansi aho gusombora intambara, hanyuma uburyo bwahora bukoreshwa mu vyerekeye gisirikare bugashirwa mu migambi y'amahoro n'ukubungabunga ibidukikije.
d. Kurandurana n'imizi ibigwanisho ruhonyanganda, na cane cane ibikozwe mu bumara bw'umwuka canke ubundi burozi.
e. Gusuzuma ko ikirere n'ibindi binyenyeri vyo mu gicu bikoreshwa ku buryo bwerekeye amahoro n'ugukingira ibidukikije.
f. Kumenya ko amahoro ava mu migenderanire itunganye, uhereye mu mitima yacu canke hagati yacu n'abandi hamwe n'iyindi mico n'ibindi binyabuzima, Isi yacu n'ibindi biyikikije.

INZIRA YA KAZOZA

Ubu gusumba uko vyamye muri kahise, kazoza dusangiye twese kadutegeka gutangura bushasha. Intango yindi ni isezarano ry'ingingo ngenderwako y'amasezerano y'Isi. Gushitsa iryo sezerano bihagaze ku kwitanga kugirango twemeze, tugendere kandi twongere duteze imbere amateka ngenderwako n'amahangiro y'amasezerano y'Isi.

Iri sezerano ridusaba ihinduka mu mitima no mu vyiyumviro. Ridusaba vyongeye ko kw'Isi yose tuba bamagiriranire kandi umwe wese akemanga uruhara rwiwe.Tubwirizwa guteza imbere kandi tugashira mu ngiro indoto itujana kw'iterambere rirama, haba mu kibano, mu gihugu, mu karere no kw'Isi yose.

Ubudasa bwacu mu mico ni intoranwa ntakagero kandi ubudasa bw'imibano nivyo bizotuma dushika kuri iyo ndoto. Dutegerezwa gustimbataza no gukwiragiza ibiganiro hagati y'abantu bari kw'Isi kuko nivyo nkomoko y'amasezerano y'Isi, nkako dufise vyinshi vyo kwiga biciye mu guharanira ukuri n'ubwitonzi.

Mu buzima twama tunanirwa guhitamwo ivyo dushira mugaciro. Naho biri gutyo, dutegerezwa guhitamwo uburyo bwo guhuza ubumwe n'ubudasa, umwidegemvyo n'ineza ya bose hamwe n'amahangiro ya vuba n'ayo muri kazoza ka kure.

Umuntu wese, umuryango, ishirahamwe canke umubano bifise akamaro ntangere. Ubugenegene, ubumenyi, amadini, amashure, ibinyamakuru, abikorera utwabo, amashirahamwe ategamiye reta hamwe n'amareta bihamagariwe kwerekana ico bishoboye. Ugufashanya hagati ya reta, amashirahamwe adaharanira ubutegetsi hamwe n'amashirahamwe y'ubudandaji n'amahinguriro gufise uruhara ntangere mu ntwaro ibereye.

Kugira twubake umuryango w'Isi urama, amakungu yose abwirizwa kunagura ivyo yiyemeje mu mu ryango w'Ibihugu Vyunze Ubumwe, bigakora ivyo vyiyemeje mu vyerekeye gushira mungiro amasezerano mpuzamakungu ahasanzwe kandi hagashigikirwa ingingo ngenderwako ziri mu masezerano y'Isi biciye mu gushinga itegeko mpuzamakungu ryerekeye ibibazo vy'ibidukikije hamwe n'iterambere.

Dukore uko dushoboye kugirango iki gihe turimwo kibe ikiraro kituvana kuri kahise kitujana ku kuvyukira ubundi buryo bwo guha agaciro ubuzima, ugushinga ingingo zihambaye zirora kw'iterambere rirama, gukomeza urugamba rw'ubutungane, amahoro n'ukuninahaza ubuzima.

AMAKURU ARAMVUYE :

Umuhari Uharanira Amasezerano y'Isi (Initiative de la Charte de la terre)
Ubunyamabanga Mpuzamakungu (Secrétariat International)
PO Box 138-6100, San José, Costa Rica
Tél: + 506 2205 9060
Fax: + 506 2249 1929
Email: info@earthcharter.org
www.earthcharter.org
www.chartedelaterre.org